Kirundi

Kazoza k'imico itandukanye kuri twese

Ingingo yo mu mwaka wa 2011 iraba imico itandukanye muri Queensland

Imico muri Queensland

Queensland ifise iragi ry'akarangamutima k'imico itandukanye, kandi ubudasa bwacu ni kimwe mubigize inguvu zacu.

Kuva ku baje kuhagerera kera gushika ku bimukira ba vuba, impunzi hamwe n'abaje kubw'imfashanyo za kiremwamuntu uko abo abantu bagiye barabaho bagiye barateretera mu kubaka Quensland mu buryo bwa none.Buri murwi wose urafise ico watereereye mw'iragi ry'akaranga n'imico kama n'ubutunzi vya Queensland.

Ibiriho n'ibiharuro

Ikigereranyo c'abantu baba muri Queensland (2011)	Imiliyoni 4.58
Abantu bavukiye hanze y'igihugu	1 muri 6
Ingene abantu bazoba bangana mu mwaka wa 2056	Imiliyoni 7.9
Urugero rw'Ingene abantu bagwira	Ibihumbi 76,040 ku mwaka, ibice 41.6 (ku ijana) bava hanze y'igihugu
Intererano y'abimukira mu butunzi bwa Australia	Imiliyaridi 1.16 y'amadorari ya Australiya
Abimukira bafise ubuhinga baza muri Queensland	Abantu 16,290 ku mwaka
Abimukira binjiye kubw'imfashanyo za kiremwamuntu	Abantu 1470 ku mwaka

Ibintu ngenderwako mu gutsimbataza imico itandukanye muri Queensland

Abantu bose baba muri Queensland:

- Barasangiye ukwitangira Queensland na Australia
- Barakirana amaboko yompi kandi bagaha agaciro intererano ubudasa bwacu buzana muri kominote (abanyagihugu).
- Bafise inshingano yo kwubahiriza amategeko y'intara no ni kubaha uburyobwa demokarasi ayo mategeko ashigwako
- Bafashwe kimwe, bubahana kandi bategerana atakurabira akaranga, amadini, ubwoko n'indimi vyaho duturuka
- Dushobora kugaragaza no kuteza imbere imico yacu twisunga amategeko duhuriyeko, ivyo dushira imbere, ivyipfuzo hamwe n'inshingano vyacu
- Gukora twerekeza kw'iterambere rirama rya Queensland
- Kuronka akaryo ko kutanga umuganda mu butunzi, mu mibano, akaranga no mu buzima bwa politike vy'iyi ntara
- Kuba dufise uburenganzira bungana ku mfashanyo zitangwa canke zirihwa na leta y'intara
- Gusabikanya inyungu z'ivyipfuzo no kwitanga kwacu kugira Queensland ikomere, ibe nziza, igumane agatohera, ibeho atakarenganyo.

Queensland Government

Ingingo ngenderwako

Ingingo nshasha yerekeye ivy'imico muri Queensland – *Kazoza k'imico itandukanye kuri twese*, irerekana ivyo intwaro ya Queensland ishira imbere; ibisata vyacu n'imishinga bitandukanye bizokora vyisunze ibi bikurikira:

- itegeko ryemera kubaho kw'imico itandukanye
- indimi, kumenyekanisha no guhanahana inkuru
- Kunagura ingene ibintu bikorwa
- abanyagihugu baba mu mitumba hamwe n'abashitse vuba
- Ubuzi busaba ubuhinga n'amashirahamwe, hamwe
- Amakominote atavangura.

Izindi nkuru

Ushaka izindi nkuru kuri kazoza k' imico itandukanye kuri twese hamwe n'imico itandukanye muri Queensland Urutonde rw'ibizokorwa kuva 2011- gushika 2014, bariza kubiro bijejwe imico muri Queensland kuri 131304 canke ronderera k'ubuhinga bwa interenete kuri www.communities.qld.gov.au/multicultural

2393-11 Mukakaro 2011